# IGIKORWA C'ABALEWI

**Icirwa c'i 119**

**Guharura 3:1-11 ; 44-51**

Ijambo ngenderwako : « *Murabona yuko ibikorwa arivyo bihindura umuntu intungane, atari ukwizera kwonyene* » **Yakobo 2:24**

## I. Intangamarara.

Igihe Mose yari ku musozi Sinayi ariguhabwa amabwirizwa n'Imana ; Aroni na Huri bari basigaranye igikorwa co guharura abantu. Abo nabo bashika imiliyoni itatu. Ico nico catumye iki gitabo citwa **Guharura**. Naho citwa uko, ntikivuga ivy'iharurwa ry'Abisirayeli gusa; kiradondora inkuru y'urugendo rwabo mu bugararwa kugera mu gihugu c'i Mowabo, aho bavuye binjira i Kanani.

Ikindi ni uko tuhabona ingene Abisirayeli bagiye bakora ivyaha ku Mana ; ikabahana naho yabakunda cane.

## II. Imana itoranya Abalewi.

Imana ibwira Mose gutoranya Abalewi kugira abe aribo bazohora bayikorera ibikorwa vyose vyo mw'ihema n'ahandi ndetse akaba aribo bemerewe gushinga amahema yabo agakikuza impande zose z'ihema ry'ibonaniro.
Aya mahirwe yari yahawe abana b'imfura bo mu muryango wose w'Abisirayeli, irabihindura kubera icaha cakozwe n'abavyeyi babo. **Kuvayo 13:2** «*Mundobanurire imfura zose n'icavutse ubwa mbere cosec o mu Bisirayeli ni icanje, ari mu bantu, ari mu bikoko.* »

Aba naho bari batowe n'Imana ubwayo, bategerezwa kugendera munsi y'uburongozi bwa Mose na Aroni, abandi bahabwa ibindi bikorwa bitandukanye uwivanze muvyo atahawe akicwa. **Soma Guh. 3:38** Iki nico cerekana ko naho mw'ishengero bose ari abigishwa ba Kristo ; ukubaha abarongozi ari itegeko ry'Imana. Umuryango wa Kohati wahawe ibikorwa vyo mwihema, barongorwa na Eliyazari **Guh. 3:32** « *Eliyazari mwene Aroni umuherezi niwe yagizwe umukuru kuri ba bakuru b'Abalewi ngo ategeke abajejwe iryo hema.* » Uyu Eliazali yahawe ububasha bwo gutegeka ; abandi bakabikurikiza. Ibi vyatuma haba urutonde mu gikorwa c'Imana. Uburongozi mu gikorwa c'imana si akajagari. **1 Timoteyo 5:17**

## III. Abatakaje amahirwe.

Imana yamye ifise umugambi w'uko Abisirayeli bose bazohora bayikorera no mw'iheme. Umuryango (Famille) wose waserukirwa mu gikorwa co

mw'ihema n'imfura muri wo. Imiryango yose yiyumva ifise ikibanza cemewe mu gikorwa c'ubuherezi mw'ihema ry'Imana.

Ingingo nyamukuru kuri abo bose baba bemerewe gukora mw'ihema kwari ukwama biyeza. **Kuva. 19:22** « *Kandi n'abaherezi na bo, basanzwe bigira hafi yanje, jewe Uhoraho, nibiyeze, kugira ngo sindabatsindeho* » Ni kuki umuryango wa Lewi ariwo wasubiriye imiryango yose y'Abisirayeli muri iki gikorwa c'iteka ?

**Soma Kuv. 32:25-28.** Iyi nkuru dusomye itwereka ko Abalewi batashimwe n'Uhoraho kuko bari abagororotsi, oya. Ahubwo ni uko bari bafise umutima wo kwihana no kugamburukira Imana. Tubonye ku murongo wa 8 ko Mose yababwiye ko kuva uwo musi biyeguriye Imana. Nta muntu yakunzwe n'Imana kuko atagira icaha. Imana ikunda abafise imitima imenetse, bakicuza iyo bacumuye, bagafukama bagasaba ikigongwe Imana. Abafise imitima ikomantaye idahanurwa barashobora gutakaza amahirwe baba barahawe n'Imana canke yabategurira.

Ni wiyumvire amahirwe umuntu wese yahawe yo kuzobana n'Imana mw'ijuru, ariko abenshi barayatakaje kubera ugukunda isi n'ibihimbaro vy'imibiri yabo ingaruka ikaba ari gutabwa mu muriro utazima kandi wibihe bidashira.

## IV. **Ihema ry'ibonaniro ryimutse.**

Igihe haba hageze ko bimuka, vyasaba ko bashingura rya hema bakaryimukana. Ibi vyakorwa n'aba Kohani bayobowe na Eliyazari, kigakorwa mu bwitonzi kuko babikoze nabi vyotuma hapfa abantu benshi. Iryo hema ryashingurwa mu mutwenzi, canke kumugoroba ari uko Imana ibivuze. Abalewi baregeranya ibirikoze vyose n'ibiri muri ryo (Isandugu y'isezerano, ibiterekwako amatara, imeza, arutari, n'ibikoresho vyejejwe) bakavyikorera kurutugu n'abatowe.

Inkingi y'igicu niyo yabereka aho Imana yashatse kurishinga, baheza kubaka, abantu bagashinga amahema yabo bakurikije uko Imana yababwiye, umuryango wose mu ruhanda rwawo. Imana iranezererwa n'urutonde mu gikorwa cose.

## V. **Gushira mu ngiro.**

Yakobo yanditse ngo : « *Murabona yuko ibikorwa arivyo bihindura umuntu intungane, atari ukwizera kwonyene* » Gukorera Imana ni iteka ritogereranywa n'akandi kazi kose ko mw'isi. Ibi bitahurwa n'abazi ibanga ry'Imana. Abakora mu ruzabibu rw'Imana bafise amahoro, umunezero, uguhumurizwa bidafiswe n'ab'isi bose. Ikindi ni uko bazohabwa ibitsibo n'impembo bitangaje ni bamara kugera mw'ijuru.

Uyu musi wotera intambuko ukumva unezererewe gukorera Uhoraho. Kimwe gusa Imana igusaba ni ukuyegera wiyejeje ; kugira ngo ntuzuhave utakaza ayo mahirwe nk'imfura z'Abisirayeli. Niba uvyipfuza, wohaguruka ugasenga.